# *BURUNDI*: NTA TERAMBERE RIBONEKA MU KURWANYA IGITURIRE N'INTWARO ITABEREYE

*Kurwanya igiturire kuri mu migambi yihutirwa y’Umukuru w'igihugu na Leta y'Uburundi yatangajwe icese. Umuntu yihweje ingene igiturire kigisibije mu Burundi n'aho ubukene bugeze mu Burundi, ni ngombwa guhangana n'iyo ngorane nimba intambwe zigaragara zibwirizwa gushikwako mu bisata vy'agateka ka zina muntu, iterambere n'intwaro ibereye muri rusangi.*

## Naho biri uko, ni ingingo nke zimaze gufatwa gushika ubu, zoshobora kurandurana n'imizi ingendo yo kwakira no gutanga igiturire yiraye, eka n'inyuruzwa ry'amafaranga ni iryo kwihwezwa, bisubiye ntizifashe kandi ni ingingo zitanyura bose



- Umugambi wa Leta wo gukuraho Sentare idasanzwe irwanya igiturire n’igipolisi kidasanzwe kirwanya igiturire
- Kwirukana icarimwe abakozi ba Leta bagirizwa kurya igiturire
- Kubogoza umushikiranganji ajejwe gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi yagirizwa igiturire
- Guhagarika amasezerano yo gucukura ubutare impande zose zitagiye inama, bisa nkuko vyoba ari ku neza y’ Uburundi

## Aho Umukuru w'igihugu ahagaze ku bijanye n'igiturire ntihatomoye

- Mu kwivuguruza no kwisubirako ku bijanye no kubahiriza ibwirizwa shingiro mu kwerekana amatungo kw'abanyacubahiro bashinzwe amabanga
- Mu gutangaza yuko yemereye abakozi ba Leta kurya igiturire “kugira baterere mw'iterambere ry'igihugu”

## Mu ntumbero yo kurwanya igiturire mu misi iri imbere, Leta y'Uburundi yotegerejwe

- Gushiraho ibihano ruhasha ku vyaha vy’igiturire mu nzego zose navyo bigaheza bikaba inkinzo ikwiye mu kurwanya igiturire
- Kugumizaho, kunagura no guteza imbere ubushobozi bw'inzego zidasanzwe zirwanya igiturire
- Mu gukurikirana ko amasezerano yerekeye impusha zo gucukura ubutare apfundikwa ku mugaragaro kugirango habaye ayandi masezerano ntarangwe n’ivyaha vy’igiturire
- Guteza imbere ugukorera mu muco n'intwaro ibereye mw'itunganywa ry'amatungo cane cane :
  - Mu gushira mu ngiro intumbero nziza ya OCDE ku bijanye no kugura ubutare buvuye mu burere burimwo amatati kandi bugeramiwe
  - Mu gufata ingingo zose zikenewe kugira ubutare bwubahirize indinganizo za CIRGL
  - Mu kwinjira neza mu mugambi w'amashirahamwe acukura ubutare biciye mu muco (ITIE)




Vyakozwe itariki: 16 Nyakanga 2021 N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx